Ijambo Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu ushikirije ku vyerekeye iki gihe cerekeza ku matora, ushingiye cane cane ku bijanye n'uguteza imbere hamwe n'ugukingira agateka ka zina muntu

1. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uritwarariteye gukurikiranira hafi ibijanye n'iki gihe c'umwiteguro kitwerekeza ku matora yo mu mwaka w'i 2015.

2. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urazi neza ko igihe c'amatora cama ari igihe gihambaye, aho abenegihugu bategerezwa kuronka akaryo ko guca irya n'ino intumbero y'imigambi yo kwubaka igihugu. Ni igihe ciza co gusuzuma ko imigambi ishikirizwa ari iyo guteza imbere urugero rwo kwubahiriza amateka y'uburenganzira bw'abenegihugu ka bwenegihugu, ikongera igateza imbere ivyerekeye politike hamwe n'agateka k'uburenganzira mu vyerekeye kwubahirizwa mu vy'ubutunzi, imibano n'imico-kama. Iryo yubahirizwa ritegerezwa kuba irya bose ata n'umwe akumiriwe. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona neza ko ugutirigana mu ndinganizo y'ukuntu igikorwa c'amatora cotegerejwe kugenda bituma haba canke hongerekana ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu, ivyo tukaba dutegerezwa kuvyirinda mu gushira imbere inyungu z'abanyagihugu bose aho gushaka gukingira inyungu z'uturwi tumwe tumwe.

3. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urashima umwumvikano w'abanyapolitike washizeho rwa rupapuro ndanganzira rutanga indinganizo yerekeza ku matora y'umwaka w'i 2015, hamwe na ka karanga k'inyifato abanyapolitike bogira mu vyerekeye ayo matora. Uranashima ukuntu abo vyega bagiye barahura ngo basuzume ko ivyo baganiriye n'ivyo bashinze biriko birashirwa mu ngiro. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye abo vyega bose kutadohoka ku biri muri rurya rupapuro ndanganzira na karya karanga k'inyifato bogira, ahubwo babandanye babishira mu ngiro kugira ngo habe amatora arangwa n'umwidegemvyo, amatora atunganijwe ku mugaragaro, amatora adakumira kandi arangwa n'umutekano.

4. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu warashimishijwe n'ukubona iyandikwa ry'abanyagihugu mu bijanye n'amatora yimirije ryabaye mu mutekano ukwiye naho havugwa ivyariko birakorwa aha na hariya bishobora kugira

ingaruka mbi ufatiye kw'iyibwa ry'amajwi. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora waremeye ko hariho ibitagenze neza, kandi n'abandi bakurikirana ukuntu ivy'amatora biriko biragenda barashikirije ivyabateye amakenga.

5. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona neza ko ibanga rishinzwe Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora rihambaye rwose. Ushingiye kuri iryo banga, hariho ibintu bihambaye wokwama witwararika. Ugufata ku rugero rumwe abahiganwa bose mu matora ni ikintu gitegerezwa kuguma ari umwitwarariko woranga ibihe vyose vy'amatora. Kugira ngo ivyo biranguke neza, birakenewe ko ibiganiro bihuza abo ivy'amatora vyega bose biguma bitunganywa. Ni ho igihugu coshikira amatora ashingiye vy'ukuri mu ntwaro rusangi.

6. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona ko abantu n'imirwi itari mike iri ku kivi ngo icungere itunganywa ry'ivyerekeye amatora. Ico gikorwa kirakenewe kugira ngo ibizova mu matora vyemerwe ata gahigihigi. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urahamagariye abo bari muri ico gikorwa co gukurikirana ibijanye n'amatora kwijukira n'igikorwa co kwigisha abanyagihugu akaranga k'umunyagihugu mw'itunganywa ry'ivy'aho abaye hamwe n'ibijanye n'iyubahirizwa ry'ukwishira n'ukwizana kw'abanyagihugu, ivyo bikaba vyofasha abanyagihugu kwijukira amatora babona ihangiro ry'iyo igihugu kiriko kiratumbera gishingiye kw'iyubahirizwa ry'agateka ka zina muntu.

7. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu warashimishijwe n'inama yatunganijwe kw'igenekerezo rya 22 kigarama uyu mwaka w'i 2014, iyo nama igahuza Umurwi w'igihugu wigenga ujejwa amatora hamwe n'abaserukira abandi bose bafise uruhara mu vy'amatora kugira ngo baganire ukuntu ivy'ukwandika abazoja mu matora yimirije vyagenze. Iyo nama yarafashije kugira ngo ingendo y'ukuja inama n'ingingo ibandanye ariyo yubakirwako hagati y'Umurwi w'igihugu wigenga ushinzwe amatora, abanyamigambwe hamwe n'abandi bose baharanira ivyicaro vya politike. Iyo nama yaragarukanye umwizero ku kuntu ibiteye amakenga hamwe n'ivyakozwe nabi mw'iyandikwa ry'abazotora vyotorerwa umuti mu buryo bubereye kandi bwumvikanyweko. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uremeza ko inzira y'ibiganiro, inzira yo kuja inama n'ingingo ariyo irama ikanafasha mu gutorera inyishu ibibazo vyose vyokwaduka mw'itunganywa ry'igikorwa c'amatora.

8. Kubera izo mvo zose, Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urahamagariye Abarundi, umwe umwe wese aho ari, hamwe n'aho Abene-Burundi baba bahurikiye mu mashirahamwe canke mu migambwe ngo bagendere ubwitonzi, bamenyere kwifata n'ukwengengana kugira ngo ingendo y'amahoro igume iranga igihe c'amatora. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urasavye inzego zifise uruhara runini mw'itunganywa ry'ibiraba amatora, na cane cane Umurwi w'igihugu wigenga uraba ivy'amatora hamwe n'ubushikiranganzi bw'intwaro yo

hagati, kwamiza ku mutima ko irya ntumbero yafashije abegwa n'ivya politike bakumvikana ku rupapuro ndanganzira yoguma ari umushinge igihugu cubakirako mw'itunganywa ryiza ry'amatora yo mu 2015. Umutima w'ibanga hamwe n'ukugendera ijambo n'ingingo ni ko karanga keza k'abashinzwe amabanga y'igihugu gatuma n'itunganywa ry'amatora ryemerwa na benshi rigahumuriza.

9. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uhamagariye abanyamigambwe n'abandi bariko baharanira ivyicaro vya politike gushikiriza imigambi bafise yo kwubaka igihugu, ku buryo bagaragaza ko iyo migambi ishoboka, ko ari iyihuriza hamwe Abarundi, ko iganisha kuri kazoza gahumuriza, ko yitwararitse kunywanisha Abarundi kandi ikaba ifise intumbero yo gufasha kwubaka kazoza kazira umutima w'ubwoba no gukumirana, kazoza katurinda indwara n'inzara.

10. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye abari mu nzego z'umutekano kubandanya bubahiriza ibanga ryabo mu kutagira aho bahengamiye mu vya politike. Inyifato nk'iyo irahambaye rwose mw'irangurwa ry'igikorwa co gucungera umutekano mu bihe nk'ibi vy'ihiganwa ryerekeza ku burongozi bw'igihugu mu nzego zitandukanye.

11. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye abari mu mashirahamwe yigenga adaharanira ivyicaro vya politike kuremesha igikorwa c'ukwigisha abanyagihugu ibijanye n'amatora hamwe n'inyifato nziza ibereye umwenegihugu mu gihe nk'iki. Boremesha n'ibiganiro bitanga inyigisho zerekeye iyubahirizwa ry'ukwishira n'ukwizana kw'abanyagihugu. Uyu murwi ubasavye kandi gukomeza igikorwa co gucungera ingendo y'ibikorwa bidushikana ku matora, ivyo bakabigirana ubuhinga bukwiye.

12. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye abamenyeshamakuru ngo babandanye gukurikirana n'ugushikiriza inkuru zijanye n'indinganizo hamwe n'imyiteguro y'amatora yimirije, ivyo bakabigirana ubuhinga buranga umwuga wabo kandi bubahiriza akarangamutima k'uwo mwuga n'ibanga abamenyeshamakuru biyemeje.

13. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye abafasha Uburundi ngo babandanye bashigikira igihugu c'Uburundi, haba mu bijanye n'ubuhinga canke mu vyerekeye uburyo bw'amafaranga kugira ngo urubanza rw'amatora turiko turitegurira rugende neza mu gufasha Uburundi gutera intambwe nziza mw'iterambere..

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 23 Kigarama 2014

Ku bw'Umurwi

Furera Emmanuel Ntakarutimana